PROJET DE LOI ORGANIQUE PORTANT MODIFICATION DE LA LOI ORGANIQUE N°1/21 DU 3 AOUT 2019 REGISSANT LA COUR SUPREME

INTEGURO Y'IBWIRIZWA RYUNGANIRA IBWIRIZWA SHINGIRO RIHINDURA IBWIRIZWA RYUNGANIRA IBWIRIZWA SHINGIRO INOMERO 1/21 RYO KU WA 3 MYANDAGARO 2019 RIGENGA SENTARE NTAHINYUZWA

EXPOSE DES MOTIFS

Contexte et justification

La Cour suprême est actuellement régie par la loi organique n°1/21 du 3 août 2019 portant modification de la loi n°1/07 du 25 février 2005 régissant la Cour Suprême.

Depuis son entrée en vigueur, les juges de la Cour suprême et les magistrats du Parquet général de la République ont rencontré quelques dysfonctionnements liés à son application.

De plus, les magistrats de l'administration centrale du Ministère de la Justice y ont porté le même regard lors de l'examen des demandes de révision ou d'annulation des arrêts et jugements.

En somme, il est devenu urgent d'introduire des modifications à la loi en vigueur pour :

1° Donner suite aux décisions judiciaires entachées de mal jugé manifeste retenues par le Conseil supérieur de la Magistrature ;

2° Rendre la Cour suprême plus opérationnelle et efficace dans sa mission de représentant du Pouvoir judiciaire et de contrôle juridictionnel ;

INTUMBERO Y'IRI BWIRIZWA

Imvo n'imvano

Sentare Ntahinyuzwa ubu igengwa n'Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/21 ryo ku wa 3 Myandagaro 2019 rihindura Ibwirizwa inomero 1/07 ryo ku wa 25 Ruhuhuma 2005 rigenga Sentare Ntahinyuzwa.

Kuva ritanguye gukurikizwa, abacamanza ba Sentare Ntahinyuzwa n'abashikirizamanza ba Paraki nkuru ya Repuburika baragize intambamyi z'ugukora zimwezimwe ziturutse kw'ishirwa mu ngiro ryaryo.

Vyongeye, abacamanza bo mu burongozi bw'Ubushikiranganji bw'Ubutungane na bo nyene baragize izo ntambamyi mu gihe c'ukwihweza imanza zabaye ntabanduka zasabiwe gusubirwamwo canke gufutwa.

Ku bw'izo mvo zose, vyabaye ngombwa ko ibwirizwa rihasanzwe rihindurwa vyihutirwa mu ntumbero yo:

1° Gutanga inyishu ku manza zaciwe na sentare, Inama nkuru y'Ubucamanza yemeje ko bigaragara ko zaciwe nabi;

2° Gutuma Sentare Ntahinyuzwa ikora neza gusumba amabanga ishinzwe yo guserukira Urwego rw'Ubutungane no gucungera ko izindi sentare zikurikiza neza amabwirizwa;

3° Définir le mal jugé manifeste et mettre en place les dispositions régissant sa procédure ;

4° Confier la procédure d'annulation à la Cour suprême siégeant toutes chambres réunies.

3° Gutomora ivyerekana ko urubanza rwaciwe nabi mu buryo bugaragara no gushiraho ingingo zikurikizwa mu gusaba gutunganirizwa;

4° Gushinga Sentare ntahinyuzwa.isasa ibisata vyayo vyose bikoranye imanza zisabirwa ifutwa.

Innovations

Le dysfonctionnement de procédure de cassation relatif à l'examen des moyens soulevés par les parties ou pas est désormais résolu par le prescrit de l'alinéa 2 de l'article 49 qui reconnait au juge de cassation la prérogative de soulever d'office l'inapplication, la mauvaise application ou la mauvaise interprétation de la règle de droit applicable aux faits.

La problématique relative à la procédure d'annulation a trouvé sa solution dans l'article 56 qui déplace cette compétence de la chambre de cassation et la confie à la Cour suprême siégeant toutes chambres réunies composée de cinq juges. Cette compétence se justifie d'autant plus que le recours affiche des similitudes avec la procédure de révision, mais surtout offre une occasion d'évoquer le jugement ou l'arrêt lorsqu'il est annulé. La chambre de cassation n'avait pas cette compétence d'évoquer une affaire au fond.

En ce qui concerne les dispositions relatives au mal jugé manifeste, la modification apportée par les articles 167 à 172 fixant les conditions du mal jugé manifeste permettra une lecture commune du motif et une application aisée des dispositions y relatives.

Ibishasha

Intambamyi zijanye n'isambuzwa ry'imanza zishingiye ku kwihweza imburano zashikirijwe canke zitashikirijwe n'ababuranyi, ubu ziratorerwa inyishu mu ngingo ya 49 agahimba ka 2 kuko iha ububasha umucamanza wo muri gasamburamanza bwo kwerekana we nyene ubwiwe ko itegeko ryari gukurikizwa ku vyakozwe ritakurikijwe, ryakurikijwe ukutariko canke ryahawe insiguro atari yo.

Ivyerekeye ingene ifutishwa ry'imanza rigenda ingingo ya 56 irabitegekanya kuko iyo ngingo iha Sentare Ntahinyuzwa isasa ibisata vyayo vyose bikoranye igizwe n'abacamanza batanu ububasha lgisata gasamburamanza cahorana. Itangwa ry'ubwo bubasha rirasiguritse kuko uko bigenda mu gufutisha imanza ni nako bigirwa mu kuzisubirishamwo na canecane ko bitanga akaryo ko guca urubanza igihe rufuswe. lgisata gasamburamanza nticari gifise ubwo bubasha bw'uguca urubanza mw'ido n'ido.

Ku vyerekeye ingingo zijanye n'imanza bigaragara ko zaciwe nabi, ivyahinduwe bitegekanijwe mu ngingo ziva ku ya 167 gushika ku ya 172 zishinga ibisabwa kugira urubanza rwemezwe ko bigaragara ko rwaciwe nabi bizotuma bose batahura kumwe imvo kandi n'ikurikizwa ry'ingingo

zivyerekeye ryorohe.

Avec la nouvelle loi, la procédure devant le Conseil supérieur de la Magistrature en cas de mal jugé manifeste qui persiste ne sera exercée qu'à l'issue de la procédure de révision.

Muri iri bwirizwa rishasha, ku vyerekeye urubanza bigaragara ko rwaciwe nabi rutakosowe, Inama nkuru y'Ubucamanza izokwiturwa gusa ari uko rwamaze gusubirishwamwo.

L'article 172 précise que les arrêts de révision issus de la procédure des requêtes reçues par le Conseil Supérieur de la Magistrature ne sont susceptibles d'aucun recours.

Ingingo ya 172 iratomora ko imanza zisubirwamwo zaciwe bivuye ku vyasabwe Inama nkuru y'Ubucamanza ziba zitagira iyungururizo.

La modification portée par l'article 173 introduit l'intervention volontaire lors de l'évocation du fond de l'affaire en cas de second pourvoi, de révision ou d'annulation afin de vider tout litige potentiel prévisible lors de cette ultime étape.

Igishasha ingingo ya 173 yazanye n'uko umuntu ashobora kwinjira mu rubanza avyishakiye mu gihe urubanza ruriko ruraburanishwa mw'ido n'ido, rusamburwa irya kabiri, rusubirwamwo canke rufutwa kugira haherahezwe amatati yose ashobora kwaduka kuri iyo ntambwe ihambaye.

L'article 174 dispose que les arrêts rendus par la Cour suprême siégeant toutes chambres réunies ne sont pas susceptibles de tierce opposition.

Ingingo ya 174 itegekanya ko imanza zaciwe na Sentare Ntahinyuzwa ibisata vyayo vyose bikoranye zidashobora gusubirishwamwo n'uwundi adasanzwe ari muri zo.

Structure de l'Avant-projet de loi

Ingene iyi nteguro y'ibwirizwa iringanijwe

Le projet de loi organique portant modification de la loi organique n°1/21 du 3 août 2019 régissant la Cour suprême s'article sur quatre titres avec 186 articles.

Iyi nteguro *y'*Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro rihindura Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/21 ryo ku wa 3 myandagaro 2019 rigenga Sentare Ntahinyuzwa rigizwe n'ibigabane bine birimwo ingingo 186.

Le premier titre a trait à l'organisation et au fonctionnement de la Cour suprême et du Parquet général de la République.

Ikigabane ca mbere cerekana ingene Sentare Ntahinyuzwa na Paraki Nkuru ya Repuburika biringanijwe n'ingene bikora.

Le deuxième titre porte sur la compétence de la Cour suprême.

Ikigabane ca kabiri cerekeye ububasha bwa Sentare Ntahinyuzwa.

Le troisième titre fait état de la procédure

Ikigabane ca gatatu gitegekanya ingene

suivie devant la Cour suprême.

Enfin, le quatrième titre met en relief les dispositions finales.

* * *

ivyerekeye imanza bigenda muri Sentare Ntahinyuzwa.

Mu guheraheza, ikigabane ca kane cerekeye ingingo zisozera.

* * *